Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusi-ziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°805 15 Kigarama 2023

# Inama igira 28 ya ONU ku bijanye n'ihindagurika ry'ikirere.




Kuva kw'igenekerezo rya 30 Munyonyo 2023 gushika ku wa 12 Kigarama 2023 i Dubayi vyunze ubumwe vy'Abarabu, harabereye inama igira iya 28 ya ONU ijanye n'ihindagurika ry'ikirere.

Iyo nama yabaye iya mbere yitabwe n'abantu benshi bashika ku 88000; n'amashirahamwe yegamiye Ekleziya Katolika nka CIDSE, Rebac, Caritas, SECAM akaba atatanzwe kuyitaba.

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Ihimbazwa ry'umusi mpuzamakungu wahariwe abagendana ubumuga



Foto: Chanel HARINGANJI

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Ihimbazwa ry'umusi mpuzamakungu wahariwe abagendana ubumuga.......................................................................................................4
o Inama igira iya 28 ya ONU ku bijanye n'ihindagurika ry'ikirere............5
o Uruhara rw'abanonosoye ivy'inyifato ni ntasubirizwa mu kuvura indwara zo mu mutwe.........................................................................................9
o Uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya ........11

# Idominika ya gatatu y'Ubushikro: Umwaka B

**Igisomwa ca mbere :** Izaya: 61, 1- 2.10- 11

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya:

*(Umuzo w'Umukama utuzanira urweze)*

Mutima w'Umukama Imana ari kuri jewe, kuko Umukama yansize amavuta, kugira ngo menyeshe inkuru nziza aboro. Yandungitse kuremesha abo umutima wavunitse, kumenyesha ko abari bagizwe imbohe barekuwe, ko abapfunzwe bugururiwe, andungika no kumenyesha umwaka w'ubuntu bw'Umukama.

Nzonezerwa cane mu Mukama, umutima wanje uhimbarwe n'Imana yanje, kuko yansharije n'ivyambarwa vy'urukiza, akanyambika umutamana w'ubutungane, nka kurya umunega yambara urugori akamera nk'umuherezankuka, nka kurya kw'umugeni yitatse udusharizo tw'agaciro. Nkako, nk'uko isi iserura imigondoro, umurima na wo ukameza imbuto zawo, ni ko Umukama Imana azoserura ubutungane n'ubuninahazwa, imbere y'amakungu yose.

## Igisomwa ca kabiri : *1*Abanyatesalonika :5, 16-24

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika:

*(Umwe wese uko ari kwose, ubwenge, umutima n'umubiri, niyityorore ku munsi w'ukuza kw'Umukama)*

Ncuti zanje :
Nimwame muhimbawe, ntimuhengeshanye gusaba, muri vyose na hose, nimwame mukenguruka, kuko ari co Imana ibashakako muri Kristu Yezu. Ntimuzimye Mutima, ntimukengere ivy'abahanuzi, ariko, mwitegereze vyose muheze iciza mukizigame; mwirinde icitwa ikibi cose. Imana y'amahoro yo nyene ubwayo nibagire beranda muri vyose; umwe wese uko ari kwose, ubwenge, umutima n'umubiri, yizigame, ku musi w'uguhindukira kw'Umukama wacu Yezu Kristu ntaze agire amahinyu. Uwabahamagaye ni intatanamundagano, ni we rero azobibagirira.

## Inkuru nziza : Yohani 1, 6 – 8. 19 - 28

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umutima w'Umukama uri kuri jewe. Niwe yantumye kumenyesha aboro Inkuru nziza y'urukiza.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani :

*(Hagati yanyu hari uwundi mutazi)*

Haza rero umuntu atumwe n'Imana, yitwa Yohani. Yaje ari icabona kugira ngo abere icabona uwo muco, kugira ngo bose bemere kubera we. Si we yari umuco, mugabo yari icabona ca wa muco. Ng'iyi rero ingingo Yohani yashinze, hamwe Abayuda bamurungikira abaherezankuka n'Abalevi bavuye i Yeruzalemu ngo bamubaze bati: «Uri nde?» Na we abivuga uko biri ntiyabihakana, ababwira ukuri ati: «Jewe sindi Kristu.» Baramubaza rero bati: «Uri nde? Ubaye Eliya?» Yishura ati: «Eka sindi we.» «Uri umuhanuzi?» Abishura ati: «Oya.» Na bo bamubwira bati: «None uri nde, tukaboneraho iryo tuja kwishura abadutumye?

None wewe wiyita nde?» Avuga ati: «Jewe ndi rya jwi ry'uwusemererera mu bugaragwa riti: "Nimugorore inzira y'Umukama", kumwe umuhanuzi Izaya yabivuga.» Abari batumwe bari abo mu Bafarizayo. Bongera rero kumubaza bati: «Ni kuki none ubatiza, utari Kristu, ntube Eliya, vyongeye ntube na wa muhanuzi?» Yohani arabishura ati: «Jewe mbatirisha amazi, ariko muri mwebwe hari uwundi mutazi. Ni we agiye kuza mu nyuma zanje, sinkwiye n'ugupfundurura imigozi y'inkweto ziwe.»
Ivyo vyose vyabereye i Betaniya hakurya y'uruzi Yorodani, aho Yohani yabatiriza.
Twereke Mukama, ikigongwe cawe, uheze udutabaze urukiza rwawe.

# Inyigisho y'Umuvyeyi wacu Papa yo ku musi mpuzamakungu ugira 7 wahariwe aboro *(Ibikurikira)*

Igitabu ca Tobito kiratwigisha inyifato n'ingiro twogira turi kumwe n'abakene n'ico twobagirira.

Nta kindi atari ubutungane bwodutuma twifatira ingingo y'ukurondera ingene twohwana na bo, bigatuma haba inyifato ibereye kandi ikenewe kugira habe umubano mwiza ubonekamwo ubwo butore.

Ukwitaho ba ntahonikora ntibiherera mu mashikanwa dutanga y'akanya gato gusa. Ariko nyabuna bisaba kuvyura imigenderanire y'umwe umwe y'abo baseserejwe n'ubukene.

Nico gituma ukutirengagiza umworo n'umwe ari ukwironkera akunguko k'ikigongwe, k'urukundo bishobora gutanga insiguro n'agaciro k'ubuzima bw'uwa Kristu.

9. Ese umwitwarariko wacu dufitiye aboro woba imisi yose akaranga nyako k'Inkuru nziza.

Ugusabikanya nyakuri gufatira ku bukene bw'uwo

Ibik. urup.3

# Inyigisho y'Umuvyeyi wacu Papa yo ku musi mpuzamakungu ugira 7 wahariwe aboro *(Ibikurikira)*

*(Bitangurira ku rup.2*

dutabara kugira ngo ntiturondere ukwikurako umusesekara ucagutse ku vyo dufise.

Aha rero ni ukumenya guhweyutsa no kuzirikana neza dufashijwe na Mutima Mweranda, kugira tumenye ivyo abavukanyi bakeneye vy'ukuri, atari ivyo twebwe twipfuza. "Tumenye ko ivyo bakenye kandi vyihutirwa, ari uko tubereka umutima wacu w'ubuntu, wagutse kandi wuzuye urukundo.

Ntitwibagire ko duhamagariwe kubona Yezu Kristu muri bo, no kubashikanira kure akamo kabo. Ariko kandi ni ukuba abagenzi babo, babumviriza kugira twakire ikinyegezwa c'ubwitonzi Imana itumenyesha iciye kuribo (Evangilii Gaudium, n. 198)."

Ukwemera kuratwigisha ko umworo wese ari umwana w'Imana kandi ko Kristu ari muri we. "Ni ukuri ndabibabwiye, igihe cose mwabigiriye n'umwe muri abo batobato muri benewacu, ni jewe mwabigiriye" (Mt 25, 40).

10. Uyu mwaka ugira uw'i 150 twibuka ivuka ry'umweranda Tereziya w'Umwana Yezu. Muri kahise k' ubuzima bw'umutima wiwe yaranditse agira ati : " Ubu ndategera ko urukundo nyarwo rujana n'ukwakira intege nke z'abandi, ntutirimutswe n'amagara make yabo maze ukaremeshwa no kwubakira ku bikorwa bito bito mu kubibonamwo ingabirano zabo; ariko narategereye cane cane ko urukundo rutoguma rwugaraniwe mu mutima w'umuntu Yezu yavuze ati:"ntawudomeka itara ngo ariremekeko umubehe,ariko nyabuma arishira ahakirurutse kugira riboneshereze abari mu nzu bose."(Ms C, 12 r°: Oeuvres complètes, Rome 1977,247).

Jewe ndabona ko iryo tara ryerekana urukundo rutegerezwa kumurika, kunezereza, atari kuri barya bonyene banshika ku mutima, ariko nyabuna n'abari mu nzu bose ata wukumiriwe.

Muri iyo nzu, ariyo si yacu, bose barafise uburenganzira bw'ukumurikirwa n'umuco w'urukundo ata n'umwe akumiriwe.

Kuri uyu mu-si mpuzamakungu wa-hariwe ba ntahonikora, ese uwo mwitwarariko w'urukundo wa Tereziya mweranda w'umwana Yezu, wokabura mitima yacu maze ukadufasha kutagira umworo twirengagiza, ahubwo tubamizeko ijisho duhanze amaso inyonga z'Umukama wacu Yezu Kristu.

Bigiriwe i Roma, ku wa 13 Ruheshi 2023 ku Musi Mukuru wa Antoni w'i Padu, umuvunyi w'aboro.

***Papa Fransisko***

# Muri iki gihe c'Ubushikiro, twizigire kazoza keza

Uburundi bw'ubu burimwo ibintu vyinshi bidufutanya: akarenganyo, ubwoba, ubusuma, ubugunge, ibiturire, ukwikekana, urwanko, amacakubiri, n'ibindi. Ivyo vyose bituma tuba mu mwijima, aho umuntu atabona kazoza kiwe. Ni co gituma Ekleziya yo mubiri wa Kristu, ibwirizwa gusayangana umuco wiwe.

Birashika ko bamwe babaza bati: Mbega ntimurihebura kubera amabi yose mwabonye? Inyishu ntigoye gutanga, tubabwira duti: Eka da! Ntitwabonye amagorwa gusa.

Ubu turazi kuruta ivyatuzaniye amagorwa… kandi turazi kuruta ivyatuzaniye n'ubuhirwe n'amahoro. Ubu twaramenye abo twokwizera kuko bo baduhuza mu mahoro. Abo twokwima amatwi ni abo bavuga amajambo aduteranya.

Iyo abantu baje mu nkuka y'imisa, bakicarana, atawuravye ngo nicaranye na kanaka canke kanaka, canke n'uwufise ubwoko bunaka, bagahava bagasangira ku meza imwe y'Ijambo ry'Imana no ku nkoko imwe, atawugira ngo barancuze canke ngo baranebaguye, umuntu rero agaca yihweza ivyo turimwo, yoca avuga ati: mbega dupfa iki mu Burundi, nitwizigiye kazoza keza. Ni co gituma aka karanga k'ubumwe kari muri Ekleziya kotubera akarorero ngo dutegere uruhara rwayo: kwigisha Ijambo ry'Imana rutunywanisha twese, rikatumurikira, ritwigisha urukundo n'ukubana na bose. Ritwigisha ingene twoshira hamwe mu butungane, atawugunze uwundi. Ni ukuvuga ko vya bibi twavuga bitera umwijima mu Burundi, irashobora kubizimanganisha umuco w'ijambo ry'Imana.

Harageze ko dutegera ko ugusenga atari ukuvuga ibisabisho gusa. Ariko ni uguha umwanya Imana ikatubwiriza ico dutegerezwa gukora. Ukwemera Yezu Kristu, si ivyo ku majambo gusa, ni ukuvyerekana mu bikorwa vyiza vyuzuye ubuntu.

Muri ubu bushikiro rero ni twitegurire guhura n'Imana igomba kuza kubana natwe, niho tuzogira umubano mwiza mu gihugu cacu. Abarundi bose bemeye kumurikirwa na Ekleziya ishinzwe kumenyesha Kristu, kazoza k'Uburundi kazoba ak'amahoro n'urukundo kuri bose.

Ni co gituma kazoza k'Uburundi n'Abarundi kari mu kugamburukira Imana n'Ijambo idasiba kutuyagira iciye kuri Ekleziya.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ihimbazwa ry'umusi mpuzamakungu wahariwe abagendana ubumuga

*(Bitangurira ku rup.1*

Ikigo citiriwe Kizito Mweranda c'i Bujumbura, gifashwe mu mugongo n'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Buraya, carahimbaje ku wa 6 Kigarama 2023 umusi mpuzamakungu wahariwe abagendana u-bumuga.

Ikitari kimenyerewe kuva ico kigo kibayeho, n'uko ivyo birori vyatanguwe n'urugendo rugana ku ntatemwa y'incungu y'Uburundi, Umuganwa Ludoviko Rwagasore i Kiriri, mu ntumbero yo kwereka abo bana bagendana ubumuga bimwe mu bibanza vy'iratiro nk'uko biri mu ngingo ya 30 igize amasezerano mpuzamakungu y'abagendana ubumuga.

Bavuye ngaho, ibirori vyaciye bibandaniriza muri ico kigo kiri muri kartiye yitiriwe amahinguriro *(quartier industriel),* aho uwari yaserukiye umwungere wa diyoseze nkuru ya Bujumbura, abaserukira i-shirahamwe ry'ubumwe bwa Buraya, uwuserukira ishirahamwe Finiwap *(FNUAP)*, Uwari yaserukiye ubushikiranganji bwo gufatana mu nda, imibano n'iterambere ridakumira, abaserukira amashirahamwe y'unganira abagendana ubumuga n'abandi, baca baronka akanya gakwiye ko gutembera muri ico kigo mu ntumbero yo kuratira ijisho ubuhinga bakoresha mu kuvura abitura ico kigo.


Foto: Chanel HARINGANJI

Abana bagendana ubumuga barerewe muri ico kigo, barerekanye utugenegene dutandukanye kugira bakurire inkoni ku gishitsi abo bose bibaza ko uwugendana ubumuga ataco ashoboye.

Mama MUSHIRANZIGO Anna Maria arongoye ico kigo, avuga ko kuba ari mu butumwa muri ico kigo,


Foto: Chanel HARINGANJI

kiri mu bimuhimbara cane agahimbarwa kandi n'ingene uwo musi abaserukira ubumwe bwa Buraya bari baje kwifadikanya nabo, mbere mw'ijambo ryiwe akaba yabasavye ko bokunganira mu bijanye n'indero y'abo bana kugira yisununure gusumba, bongere babafashe mu bijanye n'ibikoresho mfasha-ngingo z'umubiri kuri abo bana bagendana ubumuga kuko benshi mu bitura ico kigo, baravyifuza ntibabironke kubera kubura uburyo bwo kubigura.

Agasaba kandi ko abogira ico baterera, bofasha mu bijanye n'iterambere kuko bamwe muri abo bana nta buzi bafise kandi barashoboye gukora.

Inyuma y'aho umwana aza muri ico kigo baramuhebuye ko ataco yoshobora kuvamwo, MUSHIRANZIGO Anna Maria, aremeza ko iyo uwugendana ubumuga aronse uwumufasha, ashobora kwiteza imbere, agateza imbere umuryango n'igihugu kurusha n'uwutagendana u-bumuga.

Asaba abagendana ubumuga kutikumira, kandi ko boja ahabona berekane ingabirano bafise, bongere bubahuke kuvuga badatukanye kugira baharanire uburenganzira bwabo.

Abdou Dieng aserukira ubumwe bwa Buraya mu Burundi,


Foto: Chanel HARINGANJI

yarakengurutse cane ibikorwa bikorwa n'ico kigo citiriwe umweranda Kizito hamwe n'abo bose bagira ico bakoze mu ntumbero yo kunganira ico kigo.

Kw'izina ry'ubumwe bwa Buraya, akaba yarabemereye ko bagiye kwama bafasha ico kigo mu bikorwa vyaco.

Musenyeri Anatole RUBERINYANGE yari yaserukiye umwungere wa diyoseze Nkuru ya Bujumbura,


Foto: Chanel HARINGANJI

mw'ijambo ryiwe yarasavye leta ko yokora ibishoboka vyose kugira yorohereze ico kigo mu vyo gisaba, nimba ari amategeko bayashireko ibikumu, kuko mu migamba gifise harimwo ko abana bo muri ico kigo, bokwiga bagahereza amashure muri ico kigo kuko iyo bungurujwe kuyandi mashule, abavyeyi haraho babura uburyo, bigatuma abana baca baheba kwiga. Kugira ivyo bishoboke, leta yabagurira ikibanza kuko aho kwagurira hariho.

Tubamenyeshe ko ico kigo catanguye mu 1965 kandi kikaba ari co kigo conyene mu Burundi cakira kikongera kikavura abana bagendana ubumuga.

Uwo musi mukuru ukaba wahimbajwe ku civugo ngo : «Turi kumwe twese abagendana ubumuga tudasigaye inyuma, du-shire inguvu hamwe ku-gira ngo dushikire iterambere rirama kandi ridakumira».

**Chanel HARINGANJI**

# Inama igira iya 28 ya ONU ku bijanye n'ihindagurika ry'ikirere.

(Bitangurira ku rup.1

Nyenibweranda Papa Fransisiko yari yipfuje kwitaba iyo nama ariko ntivyamukundira kubera ikibazo c'indwara. Umunyabanga wa Reta ya Vatikano Karadinale Pietro Parolin niwe yitavye iyo nama arongera arashikiriza ijambo rya Papa ku munsi ugira kabiri w'iyo nama.

***Ico iryo jambo ryari rishimiyeko.***

Mu ntango y'iryo kete, Nyenubweranda aramenyesha ko naho atitavye iyo nama, bari kumwe kubera umwitwarariko afise ku bijanye no gukingira ivy'Imana yaremye kandi ko ihindagurika ry'ikirere abona ko ari ingorane y'isi yose.

Ingorane ikwiye gutorerwa inyishu co kimwe n'agateka k'ikiremwa muntu. Ati turikumwe kandi ngo mbaze ikibazo: « Duharanira gutsimbataza ubuzima canke urupfu? » Arabandanya ati: « Hitamwo ubuzima, hitamwo kazoza. »

Agatumirira abitavye iyo nama gutega ugutwi amarira yuzuye amaganya y'isi yacu, induru y'abakene, gutega ugutwi ivyipfuzo vya kazoza vy'urwaruka n'indoto z'abana.

Ico kigabane akagiheza abahamagarira gukora uko bashoboye kugira bakunde kazoza kabo.

Abandanya abereka ko ihindagurika ry'ikirere riva cane cane ku bushuhe buva kwigwirirana kw'ivyuka mu kirere; ivyo vyuka bigaturuka ku bikorwa vy'abantu.

Ikirere kikaba kiguma kitwereka ko hageze guhagarika ibintu vyose bituma ivyo vyuka biguma bigwirirana. Papa akabereka ko ibikorwa ibihugu vyarutura bakora bigatuma ikirere cononekara bitera ingorane cane cane ibihugu bikenye.

Ati: « Twibuke abasangwabutaka mu bihugu vyose; uguhonya amashamba c'imeza, inzara ibica bigacika, ukubura amazi meza n'imfungurwa mu bihugu bimwe bimwe hammwe n'uruja n'uruza rw'inyambukira zihunga ibihugu vyabo kubera ubukene butandukanye mu bihugi bikiri mu nzira y'iterambere».

Ati:« Abana bavuka sibo batera ingorane, kuko ukwibaruka gushigikiye ubuzima.» Arerekana ivyiyumviro bimwe bimwe bibera umuzigo ingo n'imiryango; kuri Nyenubweranda akabona ko ataho bitaniye n'intwaro zagacinyizo ibihugu rutura bikorera ibihugu bikenye.

Ahamagarira ibihugu bitunze kurondera ingene vyohebera amadeni ibihugu bikenye bifitiye ibitunze, atibagiye kuriha ideni bifitiye ivyo bihugu ku bijanye no gukingira ibidukikije.



Yarahamagariye abari muri iyo ko botera baja imbere, badasubira inyuma. Abibutsa ko ingingo bafashe mu nama zabaye imbere ya COP 28 ari nke zashizwe mu ngiro. Arabibutsa ko igihambaye atari ugutora ingingo zitaja mu ngiro ko igihambaye ari ugukora, ku neza y'abana babo, yabo batwara, y'ibihugu vyabo ndetse n'isi yose.

Abahamagarira kuba abaharanira politike nziza, itanga inyishu zibereye kandi zukuri umwe wese akagaragaza ico aciye. Niko ubutegetsi butegerezwa gukora mu gusiga akarorero keza bose bazokwama bibuka aho gusiga akarorero kabi bose bazokwikugura.

Aheraheza iryo kete asubiza amaso ku mweranda Fransisiko, we yamaze ijoro ryose ari kububabare, ubwo bubabare abuhinduramwo ururirimbo rwo kuninahaza Imana kubera ivyo yaremya vyiza, akavyita abavukanyi biwe kuko ibiri kw'isi vyose vyaremwe n'Imana.

Ati : «Na jewe nitwa Fransisiko, nico gituma n'ijwi ry'igisabisho nipfuje kubabwira. Ni mushire ku ruhande ibitandukanya abantu n'abandi, mushire inguvu hamwe.

Ku mfashanyo y'Imana, tuve mw'ijoro y'indwano n'ugutabagura ibidukikije kugira duhindure kazoza dusangiye mu mutwenzi w'izuba rirashe.»

Tubamenyeshe ko Umukuru w'igihugu cacu Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye yari yitavye iyo nama. Akaba yarayikurikiranye ku magenekerezo ya 1 na 2 Kigarama 2023.

Mw'ijambo yashikirije yagarutse ku bikorwa U-burundi bwashize mu ngiro ku bijanye no gukingira ibidukikije no kwambika imisozi n'imitumba mu mugambi bise «Ewe Burundi urambaye».

*MSV Ndikumana Marie Goreth*

# Muri iki gihe c'Ubushikiro, twizigire kazoza keza

***Uburyo bwo kwigisha ibijanye n'amagara y'abantu***

Kuva kera, abakuze bamye bigisha abana ingene bofungura neza, uko bokwivura, uko bovura ibikomere mu gushirako umubebe, akarura, ukuntu bokwirwanira, n'ingene bokwifata imbere y'abandi cane cane ababaruta.

Iyo migirwa hamwe n'iyindi tuyisanga mu mico no mu mice myinshi.

Ni mu muryango, a-bana bigira ibijanye n'isuku, ugufungura neza no gukomeza umubiri mu kunonora imitsi hamwe no gutegura neza ivy'amagara yo mu mutwe.

Ni vyiza ko abavyeyi bagabanganya abana ibikorwa vyo mu nzu, bakigisha umwe wese kugira isuku ngo yirinde ikinyamwanda kugira ngo babe ahantu heza.

Mu migani, mu bitito, abo mu miryango bahamagarirwa kugira isuku ry'umubiri. Ivyo biraheza bigatuma birinda indwara z'ivyaduka cane cane izifatira mu maraso.

Muri iyo ngendo nyene, mu muryango babwirizwa gushinga isaha yo kuryama kugira ngo abana baruhuke neza bashobore gukura neza no kwitegurira ibikorwa vya bukeye. Muri ico nyene, baba bariko bamenyereza abana gupanga ibikorwa vyabo mu mwanya bafise.

Mu vy'ugufungura, abavyeyi bigisha abana babo kugira indero nziza mu gufungurira hamwe n'abandi. Bituma abavyeyi babona impengamiro mbi y'abana babo, ivyo umwana akunda gusumba abandi n'ivyo yamka ariko vyari ngirakamaro.

Baraheza bagafatiraho mu kubabuza kurya basahuranwa canke guhimba icoyimena. Abavyeyi boha abana babo ivyamwa, amata, n'ingaburo zikwiye ngo ntibarware.

Mu vyo kubayagura kandi, harimwo ukwirinda ubushegabo, kugira ntihagire uwo basanga yaguye mu mutego w'ivyo bita inkundo atari zo.



Foto: Chanel HARINGANJI

Ivyo bobicisha mu migani, ibitito, ibicuba, indirimbo, gurtyo bakamenyera kwigumya ngo ntibazorware indwara zidakira.

Abavyeyi, barigisha kandi abana babo kumenya kwakira ibibagoye no kudata umutwe kugira ngo ntibasange bwayamye.

Ni bo kandi bigisha abana babo kugiriranira imigenderanire myiza n'abandi no kwakira impinduka zishobora kuza bukwi na bukwi, bakamenyera kugirira icizere abandi no kwumva ko hari ivyo bashoboye.

***4. Ingorane ziri mu ndero mu vy'amagara y'abantu***

Kera indero yatangwa n'umuryango wagutse kuko umwana ntaba uw'umwe. Ubu abantu bose umenga ni banyamwigendako ku buryo umwana asigaye ari uwa se na nyina gusa, kugeza aho abantu usanga bariko babwira umwana w'uwundi ngo i-giseru kirakubereye.

Ariko kandi hari abavyeyi badohotse kw'ibanga ryabo basigaye bahebera igikorwa co kurera abayaya canke umwana akigira hanze, ugasanga ivyo akwegeze ni urudubi.

Abavyeyi mu murya-ngo nibiteho indero y'abana muri rusangi ariko cane cane ibijanye n'inyifato mu gufungura kugira ntihabe hakivugwa abarwaye indwara zo gufungura nabi maze, imiryango ibe amayogi aramurira Ekleziya n'igihugu.



***Patiri Sadith KENEMANA***

*Icegera c'umunyamabanga w'igisata c'Inama y'Abepiskopi Gatorika b'i Burundi, gishinzwe Abalayike,Ingo n'imiryango hamwe n'ubuzima.*

# Ihiganwa ku bimenyeshamakuru mu Burundi

Hari ku wa 6 Munyonyo 2023, aho ubushikiranganji bw'amagara y'abantu hamwe n'ishirahamwe mpuzamakungu UNFPA risanzwe ryunganira ubwo bushikiranganji, vyatunganya uruganda rwo kwugurura icese ihiganwa ku bimenyeshamakuru bikorera ku butaka bw'Uburundi kubijanye no kurwanya indwara yo mu kigo. Urwo ruganda rukaba rwabereye muri Hotel Royal Palace mu gisagara ca Bujumbura.

Ivyo bimenyeshamakuru bimaze kw'igishwa ingene iyo ndwara imeze, abo ifata hamwe n'ibimenyetso vyayo, baciye bahabwa ubwahuro, baja ku kivi mu kiringo c'imisi 20, ni ukuvuga kuva iryo genekerezo rya 6 Munyonyo, gushika kw'igenekerezo rya 26 uko kwezi nyene.

Kw'igenekerezo rya 4 Kigarama 2023, ryari ryo sango muri iyo Hotel Royal Palace nyene, kugira ngo abari bahiganywe bagatsinda bahabwe ubushimwe.

*Ivyo bafatirako kugira inkuru itorwe mu zindi :*

- Akanovera hamwe n'ubushakashatsi,

- Akarusho izokungura abayumviriza,

- Ingene inkuru iteguwe n'ingene yashikirijwe,

- Amasoko atandukanye hamwe n'uburinganire bw'inkuru

Ibinyamakuru vyashoboye kugira amahigwe yo gutsinda iryo higanwa ni :

- RTNB
- ABP
- CCIB FM+
- Jimbere Magazine
- Umuco FM
- Kazoza FM
- Journal AFRICA
- Siren Viber
- Radio TV Buntu
- Indundi Culture

Abamenyesha makuru bari muri ivyo binyamakuru bahiganywe bagashobora kuba abambere, bahababwa imashine nyabwonko ngendanwa igezweho yo mu bwoko HP, ikimenyeshamakuru baserukiye naco caronka iteleviziyo ecran plat yo mu bwoko LG 50pouces.



Iyi machine nyabwonko ngendanwa, yahabwa uwabaye uwa mbere



Iyi televisiyo yahabwa ikimenyeshamakuru uwabaye uwambere yaserukiye

Ababaye abakabiri nabo, bahabwa telefone yo mu bwoko bwa TECNO SPARK 10, iri mugaciro k'amafranga ibihumbi amajana atanu vy'amarundi (500 000FBu).




Iyi terefone yahabwa uwabaye uwa kabiri

Ananiya NDACAYISABA arongoye umugambi w'igihugu w'irondoka rijanye n'amagara meza, avuga ko iryo higanwa ryari ryatunganijwe mu ntumbero yo gutegura ibiganiro kuri iyo ndwara, akizera ko iyo ndwara igiye kumenyekana gusumba, kugira abarwayi barwaye iyo ndwara bacinyegeje, baje ahabona kuko gushika 2030 iyo ndwara itoba ikivurwa mu Burundi.

Judicaël Elidje arongoye ishirahamwe UNFPA mu Burundi, yasavye abamenyeshamakuru gukora ibiganiro bitandukanye kuri iyo ndwara kugira bahimirize abanyagihugu ntibabe bacikumira ku bijanye niyo ndwara.

Kugeza muri uyu mwaka wa 2023, abarwayi barwaye iyo ndwara mu Burundi bangana ibihumbi 34, mu gihe ibiharuro vyakozwe mu mwaka w'2013, vyerekana ko abarwaye iyo ndwara bangana ibihumbi 3.

**Chanel HARINGANJI**

# Inkurikizi ni nyinshi mu gihe umuti utagishobora guhangana n'indwara

Kuva kw'igenekerezo rya 18 gushika kurya 24 Munyonyo uko umwaka utashe, isi yose irahimbaza indwi mpuzamakungu yahariwe guhimiriza abantu gukoresha neza imiti yica udukoko dutera indwara mu mubiri. Uburundi nabwo nyene burifadikanya n'amakungu mu guhangana n'ingaruka mbi ziterwa n'ugukoresha nabi imiti.



*Bamwe mu bari bitavye ibirori vyo kwugurura indwi mpuzamakungu yahariwe guhimiriza ku ngaruka mbi zo gukoresha nabi imiti yica udukoko dutera indwara mu mubiri*

Muganga Izidore Ntiharirizwa, umwunganizi w'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya SIDA, aremeza ko atari agaseseshwarumuri, ko mu Burundi hariho abantu bakoresha nabi imiti yica udukoko dutera indwara mu mubiri.

**Ni ryari bavuga ko habaye ikoreshwa nabi ry'umuti?**

Muganga Izidore asigura ko mu bushikiranganji bujejwe amagara y'abantu, bavuga ko umuti ukoreshejwe nabi:

1. Iyo umuganga yandikiye umuti uwurwaye hanyuma uwurwaye ntawukoreshe nk'uko muganga yawumwandikiye yabimutegetse;

2. Iyo abarwayi badafata umuti bandikiwe kwa muganga ngo bawuheze;
3. Iyo abarwayi batubahiriza amasaha, urugezo n'izindi mpanuro vyo gufata imiti nk'uko babibwiwe na Muganga.



*Muganga Isidore Ntiharirizwa, umwunganizi w'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya SIDA*

Muganga Izidore amenyesha ko iyo umurwayi yigenjeje gurtyo imbere y'umuti, bituma indwara idakira, mbere na kagakoko bagomba kuvura bigatuma karinda umuti.

Iyo naho umuti utagishobora kwica udukoko twateye indwara mu mubiri, bituma abarwayi bamara umwanya munini ku bitaro bigaca bisaba ko haronderwa iyindi miti ishobora kuba idakunze kuboneka ngaha mu Burundi. Amafaranga yo kuvura umurwayi aca aba menshi cane.

Ibikorwa vyo muri iyo ndwi rero bifise intumbero yo guhimiriza abantu bose guhera ku baganga, abarwaye, abamenyeshamakuru hamwe n'abenegihugu bose ngo bamenye ko igihe umuntu arwaye yoja kwa muganga. Abantu bijukire gufata umuti bandikiwe n'umuganga yemewe na Reta, hanyuma umurwayi awufate nk'uko muganga yawumwandikiye yabimutegetse, yubahirize umwanya, amasaha, urugezo rw'umuti n'izindi mpanuro zose muganga aba yamuhaye.

Iyo naho umurwayi yubahirije izo mpanuro zose hanyuma akabona inkurikizi umuti umugiriye, ngo birakenewe cane ko aca anyarukira kwa muganga akamenyesha umuganga yamuvuye uko amerewe. Ngo niwe ashobora kumuhindurira umuti canke akamuha izindi mpanuro zijanye n'uko amerewe.

Tubamenyeshe ko no mu gisata c'ubuvuzi bw'ibitungwa naho nyene hashobora kwibonekeza ingaruka mbi zijanye no gukoresha imiti ukutari ko mu gihe co kuvura ibitungwa.

Muganga Pascal Niyokwizera yatanze icirwa cerekana ingene ibikoko iyo birwaye bitegerezwa kuvurwa, kandi bikavurwa n'umuganga yabinonosoye, akabigenera umuti ukwiye, mu gihe gikwiye kandi ugafatwa neza n'ico gikoko canke igitungwa.

Kugira ngo hagwanywe intambamyi zuko udukoko dutera indwara mu mubiri turinda imiti mu gisata c'amagara y'ibitungwa, ngo hoba gukinga imigera mu guteza imbere isuku cane cane mu mpongore, gukoresha neza imiti y'ibitungwa no gushiraho ibigo vyo gupima ubwoko bw'umugera wateye igitungwa kanaka (Laboratoires)

Mélance Ndayikeze

# Uruhara rw'abanonosoye ivy'inyifato ni ntasubirizwa mu kuvura indwara zo mu mutwe

Ikigo ALUMA mu mugambi waco « NABACU », kiguma gihimiriza ku kamaro ko kwitura abanonosoye ivy'inyifato mu ntumbero yo kubungabunga amagara meza yo mu mutwe.

Abahinga mu vy'inyifato bo muri ico kigo, bareme- za ko iyo umuntu agize ingorane nseserezamutima hanyuma ntaronke ubufasha ko bishobora kumutera indwara zo mu mutwe. Iyo amagara yo mu mutwe atameze neza naho, ibisata bitari bike vy'ubuzima bwumuntu birahungabana, iterambere ry'umuntu, iry'umuryango n'iry'igihugu bigatosekara.

Ku bwa Espoir Uwase umwe mu baganga banonosoye ivy'inyifato mu kigo ALUMA, avuga ko ubufasha bwo mu mutwe ari urugendo rurerure aho uwufise ikibazo kanaka aganira n'abahinga banonosoye ivy'inyifato. Kugira ngo ubwo bufasha bugire akamaro, umuntu ngo ntiyorindira gusinzikara kugira ngo arondere ikiyago kumwe n'umuhinga.


Espoir UWASE, umuganga yanonosoye ivy'inyifato

**Ikiyago gikorwa n'uwanonosoye ivy'inyifato ntikiba ari ikiyago gisanzwe**

Espoir Uwase amenyesha ko ikiyago kiba hagati y'uwahuye n'ibibazo nsesezerezamutima hamwe n'umuganga mu vy'inyifato ngo kiba ari ikiyago c'ubuhinga, ataho gisa gisana n'ibiyago uwo muntu yogiriranira n'abagenzi biwe, incuti canke ababanyi. «Ikiyago kivura kiba hagati y'umuganga n'uwurwaye gusa».

Iyo umuhinga ariko yumviriza umurwayi, ngo haraho biba ngombwa ko ikiyago kibandanya no mu kibano no mu muryango. Ivyo bifasha yuko ababanyi canke abanyamuryango b'uwugwaye indwara zo mu mutwe canke yahuye n'ibibazo nsezerezamutima bamutahura, bakamenya ko atakiri wawundi. Iyo naho hari ibikorwa canke amabanga amw'amwe yari yaratswe kubera ubwo burwayi bwiwe, birakenerwa ko abisubizwa, gurtyo agaheza akiyumva, agasubirana iteka mu bandi.

**Intambamyi ziracari nyinshi muri ico gisata**

Niyakire Seraphine uwundi muhinga muvy'inyifato avuga ko igikorwa c'abaganga b'inyifato gifise intambamyi nyinshi ngaha mu Burundi. Intambamyi nyamukuru, ngo abantu ntibaramenya ko kwitura umuhinga yanonosoye ivy'inyifato bifise akaro gusumba kuja kwivuza kwa muganga.

Nkuko uwo mupfasoni abivuga, ngo umuganga yanonosoye ivy'inyifato mu kiganiro ciwe arondera imizi canke inkomoko y'ikibazo kanaka. Bitandukanye n'ubufasha bw'abandi baganga aho bobo bavura inkurikizi y'ikibazo kanaka ibonekera mw'isinzikara ry'amagara y'umuntu.

Izindi nzitizi umuntu atokwirengagiza n'uko abantu batarajijuka ngo bijukire ubufasha bw'abahinga banonosoye ivy'inyifato.

Muri iyo ntumbero nyene, abantu ngo barinda kuremba kugira ngo biture abahinga banonosoye ivy'inyifato. Iyo ngendo ituma umuhinga afata umwanya muremure utokenewe iyo umurwayi yitura umuhinga hakiri kare.

Mu kibano, abantu ngo ntibarajijuka ngo bubahure abafise ibibazo nseserezamutima kwitura umuhinga yanonosoye ivy'inyifato. Iyo ntambamyi ifatanye n'uko ibigo bifasha abafise ingorane nseserezamutima bikiri bike cane mu Burundi. Aho biri naho imiti ngo irazimvye bigahurirana n'amikoro make y'abarundi batari bake, bigatuma aho kwitura umuhinga mu vy'inyifato abantu baja kwa rumenyi canke bagahungira mu masengesho.

Ivyo vyose ngo vyerekana ko hagikenewe ihimiriza ridasanzwe kugirango abantu bajijuke bongere bijukire kwitura abahinga muvy'inyifato.

Tubamenyeshe ko ikigo ALUMA gifashwe mu mugongo n'abatahuye ibikorwa vyaco mu mugambi NABACU, abacitura bose bakirwa ku buntu. Mu ntumbero yo gufasha benshi bashoboka, ico kigo kirafise abakozi baco kw'ivuriro ritoyi ryo ku Mutakura, Ivuriro ritoyi ry'ababikira Bene Tereziya kuri St Michel no ku mavuriro matoyi yo mu Busoro, Kanyosha, Musaga n'ahandi. Aho hose abahitura ngo bakirwa ku buntu.

***Mélance Ndayikeze***

# Uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya

Ubutungane butarenganya ni ubutungane bwubahiriza amategeko yerekeye ingene imanza zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

Uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya mu biburanga harimwo uburenganzira bwo kwitura sentare, kwiregura, kunguruza urubanza rwaciwe na sentare y'ibanze, gufatwa nk'umwere gushika uwagirizwa icaha avyemezwe na sentare ibifitiye ububasha hamwe n'uburenganzira bwo kudahanishwa ibihano bitari bitegekanijwe igihe icaha cakorwa.

Uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu yubahiriza uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya**

Uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya tubusanga mu mategeko mpuzamakungu atandukanye :

*itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

*amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no muri poritike,

*amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana,

*amasezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana

*hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

***1.1 Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.***

Iri tangazo rirerekana ko kugira ubwo burenganzira bwubahirizwe, umuntu ategerezwa kwumvirizwa, kandi ko kizira kwemeza ko icaha kimwagiriye sentare itaramucira urubanza.

Ingingo y'10 ivuga ko umuntu wese ashobora gusaba ko urubanza rwiwe ruja imbere ya sentare itagira aho yegamiye, mugabo hubahirijwe ububasha bw'amasentare igihe cose.

Ingingo ya 11 na yo, ishimikira ku kwiregura bikwiye k'uwagirizwa icaha kugira ntahave arenganywa. Ivuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aguma ari umwere gushika yagiriye icaha mu rubanza ruciwe icese kandi yarekuriwe kwiregura uko bikwiye.

***1.2 Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no muvyerekeye poritike.***

Aya masezerano arataanga uburenganzira bwo kwumviriza ivyabona, kwunguruza urubanza mu gihe uwagirijwe abona ko ubutungane bwamurenganije.

Ingingo ya 14 ivuga ko uwikekwako icaha afise uburenganzira bwo gusaba sentare ko ivyabona bimwagiriza n'ibimukurako icaha bibazwa kandi bikumvirizwa co kimwe.

Ibandanya yerekana mu gace ka yo ka 5 ko umuntu wese yagirijwe icaha na sentare y'ibanze, afise uburenganzira bwo kunguruziza muri sentare iri mu rwego rukurikira mu gihe atashimye urubanza rwaciwe.

Nk'uko ingingo ya 15 ibivuga nta n'umwe azohanirwa ibintu yakoze canke yoba yirengagije gukora mu gihe bitari bitegekanijwe n'amategeko y'igihugu canke mpuzamakungu.

Nta n'umwe azohanishwa ibihano bisumba ivyari bitegekanijwe n'amategeko igihe icaha cakorwa.

Umuntu iyo aciriwe urubanza atumvirijwe bikwiye, ntaba yubahirijwe mu burenganzira bw'iwe ku butungane butarenganya. Ni co gituma ingingo y'7 y'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kumvirizwa mu rubanza rumwerekeye.

Umuntu wese ataragirwa n'icaha mu rubanza aguma afatwa nk'umwere gushika icaha kimwagiriye.



Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu gace ka yo ka 2, ko ata muntu ashobora guhanirwa icaha canke urundi rwangara bitahanwa n'amategeko igihe vyakorwa. Ivyo birenzweko, umuntu aba arenganijwe.

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bw'umuntu ku butungane butarenganya, nta gihano na kimwe gishobora guhabwa umuntu igihe kitari gisanzwe gitegekanijwe n'amategeko igihe ico yagirizwa yagikora. Ikindi na co ni uko igihano cose gihabwa nyene gukora icaha kandi vyagaragaye ko camwagiriye.

**2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya**

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bw'umuntu ku butungane butarenganya, mu Burundi hariho amasentare atandukanye umuntu ashobora kwitura bivanye n'ubwoko bw'amatati canke bw'icaha n'urugero rwaco.

Izo sentare zose zirafise amategeko zisunga mu-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya

(Bitangurira ku rup.10)

guca imanza, mu ntumbero yo gutunganiriza abenegihugu ata n'umwe arenganijwe.

**_2.1Mw'Ibwirizwa Shingiro_**

Ibwiririzwa Shingiro ry'Uburundi, rishimikira cane ko kugira umuntu yubahirizwe mu burenganzira bwiwe ku butungane butarenganya, ategerezwa kwumvirizwa bikwiye, akiregura, kandi ntashobora gukurikiranwa ku kintu yakoze canke ngo ahanishwe ibihano bitari bitegekanijwe n'amategeko.

Ingigo ya 38 ivuga ko umuntu wese, mu rubanza rwa sentare canke rwo mu ntwaro, afise uburenganzira bwo kwumvirizwa bikwiye ata karenganyo kandi agacirwa urubanza mu kiringo kitari kinini.

Ingingo ya 39, mu gace ka yo ka 3, ivuga ko uburenganzira bw'ukwiregura bwubahirizwa imbere ya sentare zose kugira ngo umuntu ntahave arenganywa.

Ingingo ya 41 na yo ivuga ko atawushobora guhanwa kubera ivyo yakoze canke yirengagije gukora kandi bitafatwa nk'ivyaha igihe yabikora. Vyongeye, umuntu ntashobora guhabwa igihano kirengeye icari gitegekanijwe igihe yakora icaha kimwagiriye.

Iyo bishitse ibi tudondaguye muri iyi ngingo bikarengwako, umuntu ntaba yubahirijwe mu burenganzira bwiwe ku butungane butarenganya.

**_2.2 Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi_**

Muri kino gitabu, barerekana ko mu ntumbero yo kwirinda akarenganyo gashobora kugirirwa uwagirizwa icaha, haratégekanijwe ibihano bitandukanye bihabwa abantu bivanye n'icaha kiba cakozwe.

Ingingo ya 4 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha ivuga ko ata caha na kimwe gishobora guhanishwa ibihano bitari bisanzwe bitegekanijwe n'amategeko imbere yuko gikorwa.

Muri ya ntumbero nyene yo kwubahiriza uburenganzira bw'umuntu ku butungane butarenganya, igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa iraha uburenganzira umuntu yibaza ko yarenganijwe mu rubanza yaciriwe na sentare, bwo gusaba ko rusubirwamwo.

Ingingo ya 314 ivuga ko uwaciriwe igihano mu rubanza ruciwe impaga ashobora gusaba sentare yaruciye kurusubiramwo mu kiringo c'imisi mirongo itatu ikurikira umunsi yarumenyesherejweko hongeweko n'umwanya urugendo rumara.

Ingingo ya 321 irerekana ko abafise ububasha bwo kwunguruza urubanza mu manza z'ivyaha ari uwagirizwa icaha, umushikirizamanza, uwategetswe gutanga indishi hamwe n'uwusaba indishi.

Nk'uko twabonye ko amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu ategekanya ko zina kiremwa muntu afise uburenganzira ku butungane butarenganya, uwutubahirije ubwo burenganzira arahanwa nk'uko amategeko abitomora.

Igitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi, carategekanije ibihano bihabwa uwo wese abaye intambamyi y'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'umuntu ku butungane butarenganya.

Ingingo ya 402 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha ivuga ko uwagiriwe no guhindura uko icaha cakozwe, haba mu kwigana canke mu gukurako ibimenyetso vyoshobora kumufasha kwerekana ukuri ; mu gukuramwo, mu kunyegeza canke kwonona urwandiko rwotuma icaha kigaragara, canke rugatuma ivyemezo bigaragara mu ntumbero yo kunyegeza ukuri, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka itatu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo itanu gushika ku bihumbi ijana.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko, iyo ukunyegeza ibimenyetso vyakozwe n'umuntu yarasanzwe mu kazi kiwe ategerezwa gutuma ukuri gushirwa ahabona, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka itanu, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi ijana gushika ku bihumbi ijana na mirongo itanu.

Ingingo ya 403 ivuga ko, uwo wese yagiriwe no gukora igikorwa ico ari co cose, mu ntumbero yo gutera ubwoba uwakorewe icaha ngo ntiyiture sentare, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka itatu, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi mirongo itanu.

Mu gusozera, twomenya ko uburenganzira bwa kiremwa muntu ku butungane butarenganya ari ubwa zina kiremwa muntu wese, ata n'umwe akumiriwe. Nta muntu numwe ari mu rwego rw'ubutungane afise uburenganzira bwo kurenganya abo ajejwe gutunganiriza.

Umuntu wese, imbere yo gucirwa urubanza, abanza kwumvirizwa bikwiye, kandi agacibwa urubanza hakurikijwe amategeko. Yaba uwitwaye canke uwitwariwe, sentare itegerezwa kubumviriza co kimwe, kandi amategeko agakora kuri bose.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Uguhezagira n'ugukwangura icicaro c'Intara y'Ekleziya ya Bujumbura

Ku mugoroba wo ku wa 6//12/2023, ku kirimba c'Umwungere Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, habereye ibirori bihimbaye vyo guhezagira no gukwangura inyubakwa yateguriwe kuzoba icicaro c'Intara y'Ekleziya ya Bujumbura.

Nayo ikaba igizwe n'amadiyoseze ya Bujumbura, Bubanza na Bururi.

Umwepiskopi mukuru, Musenyeri Gerevazi BANSHIMIYUBUSA niwe yaremesheje ivyo birori vyari vyitabwe n'abepiskopi bose b'i Burundi, bari kumwe n'ivyegera vyabo hamwe n'uwuserukira intumwa ya Papa mu Burundi. Bari basanzwe bari mu nama yabo kuva mu ntango y'iyo ndwi. Abasaserdoti batari bake, n'abaserukira abihayimana bakorera mu gisagara ca Bujumbura ntibari batanzwe kuza kwifatanya n'Umwungere wabo.

Ibirori vyatanguriwe n'ibisabisho vy'uguhezagira abari aho imbere yo guhezagira iyo nyubakwa igeretse rimwe, iteye igomwe.

Mu ntango y'uwo mugirwa Musenyeri Gerevazi yamenyesheje ko, kubwa ngingo, baje gusabira umuhezagiro abazokorera muri iyo nyubakwa hamwe n'abazoza babitura kuko inzu nyezina ntikeneye gusabirwa amahoro.

Ahejeje, yatumiriye abitavye urubanza kungururiza mu kindi kibanza kugira bashishikare ikiyago.

Mw'ijambo ryiwe, Musenyeri Gerevazi yarakengurukiye cane abungere bagenzi biwe hamwe n'abandi batumire na cane cane intumwa ya Papa.

Yarahejeje amenyesha ko baje gusaba Imana umuhezagiro w'iyo nyubakwa kugira bace bayikwangura itangure igikorwa cayo aho bukera.

Yavuze kandi ko umugambi wo kwironkera iyi nyubakwa bawutanguye mu 2018 aho aboneye ko hakenewe cane ikibanza co kuranguriramwo ubutumwa bujanye no guhagararira iyo Ntara y'Ekleziya hamwe na cane cane kuronsa ikibanza sentare mpuzamadiyoseze.

Yamenyesheje kandi ko ukuba baronse iyo nyubakwa yunganiwe n'Ibiro bijejwe Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru nziza hamwe n'intererano y'abakunzi ba Diyoseze nkuru ya Bujumbura atibagiye intererano y'Umuryango w'abakristu.

Musenyeri yamenyesheje ko uguhezagira n'ugukwangura iyo nyubakwa bijana n'ubutumwa butoroshe bwo kunganira mu butumwa abagize iyo ntara.

Nico gituma yasavye ashimitse ko bomusabira kugira aze ashobore kurangurana ishaka n'ubwitonzi ico gikorwa.

Iyo nyubakwa igizwe n'icumba kinini c'amanama n'ibindi bikorwa bishobora guhuza abasangirabutumwa, harimwo kandi n'ibiro bizokoreramwo abashinzwe sentare y'Ekleziya, ikibanza co kwakiriramwo abashitsi b'iteka bazoza bagana Umwungere mukuru wa diyoseze nkuru ya Bujumbura hamwe n'uburaro bw'abungere bagize intara y'Ekleziya y'i Bujumbura.

Mu nyuma, Musenyeri Bonaventura Nahimana, asanzwe arongoye Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi, kw'izina rya bagenzi biwe, yarakeje, arakengurukira cane Musenyeri mukuru w'i Bujumbura n'umuryango w'abakristu kuri ico ciza bashoboye gushikako.

Yaribukije kandi ko inama zabo ubu bazigabanije mu kuzigaburamwo kabiri kugira Abungere bagire umwanya wabo uramvuye w'imisi ibiri ; iyindi misi ibe iy'inama y'intara z'ubutumwa.

Aha twobibutsa yuko intara ya kabiri ari Gitega igizwe n'amadiyoseze ya Gitega, Ruyigi, Muyinga na Rutana.

Umwungere aserukiye abandi yarashimye cane kuko iyo nyubakwa ije hageze. Yavuze kandi ko n'ayandi madiyoseze agiye kworoherwa kubera sentare mpuzamadiyoseze izohora isasa muri iyo nyubakwa nyene.

Kw'izina ry'intumwa ya Papa mu Burundi, uwaje amuserukira, nawe yatanguye akeza Umwungere mukuru w'i Bujumbura yongera aranamukeza ku ntambwe ishimishije.

Yaribukije yuko intara y'ubutumwa ya Bujumbura yahinzwe na Papa Benedigto w'16. Umwepiskopi mukuru rero ashinzwe gukorana cane n'abandi bepiskopi basangiye intara kugira hagume ubumwe n'isangiramutima nyakuri.

Mu gusozera amajambo, Umwepiskopi w'i Bururi, Musenyeri Saluvatori Niciteretse, kw'izina ry'abo basangiye intara y'Ekleziya, yarakengurutse, arakeza atako arasaba Imana ngo ize ikomeze uyo Mwepiskopi mukuru maze ashobore gushishikara yitangira Ekleziya aragijwe ku neza y'intara y'Ekleziya n'Ekleziya ikwiye kw'isi yose.

*Patiri Eugène NSANZERUGEZE*